UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI‘’ITEKA‘’

***Ryemejwe n’itegeko nshikiranganji n°530/0273 ryo kuwa10 Munyonyo1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa6 Ruhuhuma1991***

# *ICEGERANYO C’UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI « ITEKA » KU NYIFATO Y’AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI MU KWEZI KWA Mukakaro 2026*






*Uwo uri wese ubahirizwa*


*Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w’ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015.Kuva muri Kigarama 2015 gushika kuwa 31 Mukakaro 2026, abantu bashika 876 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, n’imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi789 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w’ igikorwa c’ishirahamwe ry’ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y’uBurundi n’imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero.*

**Ishirahamwe Iteka:**

- **« Ni umunywani w’ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afrika vyegwa n’agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n’urunani mpuzamakungu rw’amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),**
- **Rifise akaranga ko kwihweza imbere y’umugwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.**
- **rigizwe n’Inani mpuzamashirahamwe 17 ku ntara hamwe n’ibisata 32 ».**

[1] https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54

## *IKARATA NSHASHA Y'INTWARO MU BURUNDI*



## URUTONDE RW'IBIRIMWO


*IMPFUNYAPFUNYO*.....4

*I. INTANGAMARARA* .....5

*II. AMABI Y'IHONYANGWA RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU*.....8

*II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*.....8

*II.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA* .....8

*II.1.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE* .....8

*II.1.1.2. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZWE IRENGERO* .....9

*II.1.1.3.UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAKURWA* .....10

*II.1.1.3.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI ATAGIRA IZINA* .....10

*II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATWA KU NGUVU* .....12

*II.1.2.UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*.....13

*II.1.2.1.UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*.....13

*II.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA*.....15

*II.2.1.IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*.....15

*II.2.2.UBURENGANZIRA KU NDERO*.....16

*II.3. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI* .....16

*II.3.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA* .....16

*III. UGUSOZERA N'IBISABWA*.....17

## *IMPFUNYAPFUNYO*

**AGNU** : Inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe

**ECOFO** : Ishure shingiro

**CNDD-FDD** : I*nama y'igihugu iharanira demokarasi-urunani rukingira demokarasi*

Inama y'igihugu

**CNL** :Inama y'igihugu iharanira umwidegemvyo

**CNIDH** : **Umugwi wigenga wigenga ujejwe agateka ka zina muntu**

**CENI** : ***Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw'igihugu***

**CEPI** : *Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw' intara*

**CEEAC** : Ishirahamwe ry'ubutunzi ry'ibihugu vya Afirika yo hagati

**DESC** : **Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama**

**FRODEBU**: Urunani ruharanira demokarasi mu Burundi

**FDLR** : Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza u Rwanda

**OPJ** : Inyamiramabi

**ONU** : Amashirahamwe y'ibihugu vya Buraya

**PNB** : Igiporisi c'igihugu c'uBurundi

**RDC** : Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo

**UPRONA** : Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu

**VSBGs** : Amabi afatiye ku gitsina

**SNR** : **Igendereza ry'igihugu**

**TGI** :**Sentare nkuru**

# I. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo c'ukwezi kwa Mukakaro 2026 kivuye mu ruvange rw'ivyegeranyo vy'indwi Iteka n' Ijambo kuva kuri nomero 533 gushika kuri nomero 537.Ico cegeranyo cihweza agateka ka zina muntu.Kiragaruka ku burenganzira bw'abantu no muri politike hamwe n'uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama.Co kimwe n' uburenganzira bw'imigwi canecane uburenganzira bw'abana.Ico cegeranyo kirangiza mu mpera n'uguszera hamwe n'ibisabwa.

Gutyo,agateka k'abantu no muri politike muri kino cegeranyo co muri kuno kwezi kaboneka ugukwirikira: abantu 23 barishwe harimwo 12 batowe ibiziga bikwiragiye mu burere butandukanye,umuntu 1 baborejwe igufa,abantu 2 banyurujwe,abantu 20 bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo abagore 17 n'abagabo 3. Muri abo bagore 17,harimwo 8 bafashwe ku nguvu muribo abana 7,abantu 12 barahagaritswe.Mu bakorewe amabi harimwo abagore 6 bishwe,abagore n'abakobwa 17 bakorewe amabi afatiye ku gitsina muribo 8 bashurashujwe.


Imbonerakure,abapolisi, abo mu ntwaro n'abasirikare hamwe n'abandi bantu batari kure y'abanywanyi b' umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD baradomwako urutoke nk'abikekwa ko menshi muri ayo mabi ku gateka ka zina muntu n'ubwicanyi.

Naho ababikoze bamwe bataramenyekana,ukuntu vyakozwe kenshi bisa n'ibikorwa n'iyo migwi yavuzwe.

***I.1.IKIGARA C'AMABI Y'IHONYANGWA RY'AGATEKA K'ABANTU NO MURI POLITIKE.***

***Igicapo1: Ikigara cerekana cerekana amabi nyamukuru y'ihonyangwa ry'agateka k'abantu no muri politike yiboneke je mu Burundi muri Mukakaro 2026.***

| Aho vyabereye / Intara | Igitigiri c'abakozweko | | | | | Bose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|
| | Ugu hagarikwa | Ukunyuruz wa | Ukubore zwa igufa | Ubwicanyi | Amabi afatiye ku gitsina | |
| Buhumuza | 0 | 0 | 0 | 2 | 1 | 3 |
| Bujumbura | 9 | 1 | 1 | 8 | 4 | 23 |
| Burunga | 1 | 0 | 0 | 3 | 8 | 12 |
| Butanyerera | 2 | 1 | 0 | 2 | 2 | 7 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 8 | 5 | 13 |
| Zose hamwe | 12 | 2 | 1 | 23 | 20 | 58 |



*I. INTANGAMARARA(Ibikurikira5)*


Ico kigara kiri hejuru cerekana imigwi 5 y'amabi mu ntara 5 zitandukanye z'igihugu harimwo Bujumbura na Gitega ziza kw'isonga aho agateka kazina muntu kahonyanzwe gusumba izindi ku bantu 23 na 13 uko zikurikirana, zigakurikirwa na Burunga ku bantu 12 hanyuma Butanyerera ku bantu 7,hagaca haza Buhumuza ku bantu 3 .

Gutyo,muri kuno kwezi kwa Mukakaro 2026 kwa kino cegeranyo,umuhari Iteka waharuye 58 bakorewe amabi ku gateka k'abantu no muri politike ku butaka bwose bw'igihugu.

Ayo mabi agabuwe ahanini ugukwirikira: abantu 23 bishwe,abantu 2 banyurujwe, abantu 20 bakorewe amabi afatiye ku gitsina ,umuntu 1 baborejwe igufa na 12 bahagaritswe.

***Ikigara 2: Ikigara cerekana abantu nyamukuru bikekwako uguhonyanga agateka ka zina muntu no muri politike mu Burundi muri Mukakaro 2026***

| Abikekwako ivyaha | Buhumuza | Bujumbura | Burunga | Butanyerera | Gitega | Zose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Abaporisi | 0 | 3 | 1 | 1 | 0 | 5 |
| Abo mu ntwaro | 0 | 1 | 0 | 0 | 0 | 1 |
| Iperereza | 0 | 0 | 0 | 1 | 0 | 1 |
| Iyindi migwi | 0 | 2 | 3 | 0 | 4 | 9 |
| Abantu batamenyekanye | 2 | 4 | 6 | 1 | 4 | 17 |
| Imbonerakure | 0 | 5 | 0 | 1 | 2 | 8 |
| Abishe abana | 0 | 1 | 0 | 1 | 0 | 2 |
| Abasirikare | 0 | 1 | 0 | 0 | 0 | 1 |
| Abihora | 1 | 3 | 3 | 2 | 3 | 12 |
| **Bose hamwe** | **3** | **20** | **13** | **7** | **13** | **56** |





Kubwo ikigara,ku mabi yose yaharuwe y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu muri kino kiringo ca Mukakaro 2026, ayakozwe n'abantu batamenyekanye biboneka ko ariyo menshi ku bantu 17,agakurikirwa n'umugwi "ukwihora"incuro 12 hamwe n'iyindi migwi nk'abigenga harimwo abadandaza ku ncuro 9, hanyuma amabi akozwe n'Imbonerakure ku ncuro ,hanyuma incuro 5 abaporisi.Abo mw'iperereza,abo mu ntwaro,abasirikare uko bakwirikirana barakoze amabi incuro imwe imwe.

*I. INTANGAMARARA(Ibikurikira urupapuro 6)*

***gicapo 3: Ikigara cerekana ibintu nyamukuru vyakozwe n'abo mu ntwaro inyuma y' ihonyanyanga ry' agateka ka zina muntu ryibonekeje .***

| Ubwoko bw'amabi | Igitigiri c'amabi | Igitigiri c'ivyakozwe | Ntacakozwe |
|---|---|---|---|
| Uguhagarikwa | 7 | 2 | 5 |
| Ukunyuruzwa | 2 | 0 | 2 |
| Ukuborezwa igufa | 1 | 0 | 1 |
| Ubwicanyi | 23 | 17 | 6 |
| Amabi afatiye ku gitsina | 20 | 9 | 11 |
| **Yose hamwe** | **53** | **28** | **25** |




Ku ncuro 53 z' amabi yaharuwe mu kiringo cafatiweko,ibintu 28 vyarashizwe mu ngiro,biri mu migwi 3 nyamukuru, kugira haboneke inyishu.Amwe mu mabi yarashoboye gutorerwa inyishu,mugihe ayandi akiriko arihwezwa, n' amatohoza y'ubutungane ariko arakorwa kugira hatorwe inyishu zibereye.

| Ubwoko bw' amabi | Amatohoza yo hagati | Amatohoza y'ubutungane yakozwe | Itangazo | Nta nakimwe cakozwe |
|---|---|---|---|---|
| Uguhagarikwa | 1 | 1 | 0 | 5 |
| Enlèvement | 0 | 0 | 0 | 2 |
| Torture | 0 | 0 | 0 | 1 |
| Tuerie | 3 | 14 | 0 | 6 |
| VBGs | 2 | 7 | 0 | 11 |
| **Vyose hamwe** | **6** | **22** | **0** | **25** |

Uwo uri wese ubahirizwa

# *II. IHONYANGWA RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU*

## *II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI PORITIKE*


*UBurundi buri mu bihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'ukwigenga na politike(1965) hamwe n'amategeko yaryo mpfatakibanza (1976) ntabanduka kuwa 9Rusama 1990,icatumye mu ntumbero yo kuyashira mungiro,uBurundi bufata ingingo ingingo mu mategeko abugenga nko mw'ibwirizwa shingiro ryo kuwa 7 Ruheshi 2018(Itegeko kizigenza) mu ngingo yaryo 19 ivuga koamategeko yose yasomwe kandi agashigwaho n'amategeko mpuzamakungu yashizweko umukono ko ashizwe ashizwe mw'iryo bwirizwashingiro,amategeko arishira mu ngiro yarashizweho nko mw'itegeko mpanavyaha ryo kuwa 29 Kigarama 2017 no mw'itegeko rishira mungiro ibihano ryo kuwa 11 Rusama 2018 hamwe n'ayandi mashirahamwe akingira agateka ka zina muntu mu Burundi yarashizweho.*

### *II.1.1 .UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

#### *II.1.1. 1. UBWICANYI BUTEGUWE*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,umuhari Iteka waharuye abantu 23 bishwe,harimwo ibiziga 12 vyatowe,mu burere butandukanye bw'igihugu. Mu bantu 3,harimwo abagabo 17 n'abagore 6. Muri abo bapfuye harimwo abakuze 19 n'abana 3.

| Intara | Incuro bishwe | Igitigiri c'abishwe | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Ubwicanyi | Ibiziga | | |
| **Buhumuza** | **2** | **1** | **1** | **1** | **1** |
| **Bujumbura** | **8** | 3 | 5 | 7 | 1 |
| **Burunga** | **3** | 2 | 1 | 2 | 1 |
| **Butanyerera** | **2** | 2 | 0 | 0 | 2 |
| **Gitega** | **8** | 3 | 5 | 7 | 1 |
| **Zose hamwe** | **23** | **11** | **12** | **17** | **6** |




⇒ ***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1:*** I Bubanza, umugabo yitwa Nkinamugwanko,afise imyaka 60 yarishwe kuwa 4 Ruheshi 2026 hafi igihe c'isaha 3.Yari agiye mu masengesho igihe imbonerakure zamutera n'umupanga.Ibara ryaguye ku mutumba Gitenga,zone Muramba, komine Bubanza, intara ya Bujumbura.

Kubwo uburongozi bwaho,yoba yagirizwa amangetengete. Ariko hari haciye igihe agiraniye ingorane n'umuryango wiwe wagutse,amatati y'itongo. Babiri bikekwa ako kabi barahunze.Nko kwihora,abaryango biwe baragerageje

kwihora,mu gutema ibitoke,mu guturira amazu y'uwo muryango wundi.Ingo 3 z'uwo muryango zaravuye mu mihana kubwo umutekano wabo.Igiporisi carahagaritse abahungu 2 bo kwa Tito,bari mu gasho ka komisariya y' igiporisi i Bubanza.

---

***AK2:*** Kuwa 9 Mukakaro 2026,ku mutumba Nyamikoma,muri zone Buhoro,muri komine Mugina, mu nara ya Bujumbura, ikiziga Olivier Nzoyihaya, w'imyaka 20 caratowe mu kinogo kiri gusa gifise ibikomere mu mutwe. Ubutumwa bugufi bwavuye ku ndongozi y' umugambwe CNDD-FDD i Buhoro bwaratanzwe mu mugwi whatsapp w'uwo mugambwe nyene ko ikiziga ca Olivier gihejeje gutorwa mu kinogo.

Kuwa 8 Mukakaro 2026,umurango wiwe wari watabaje ukoresheje ubutumwa bwo mu bwoko bw'amajwi birikumwe n'ifoto yiwe bameneshako yabuzwe irengero kandi basaba umuntu wese yomubona ko yobibamenyesha. Olivier Nzoyihaya, w'imyaka 20,ava ku mutumba Gafumbegeti,muri zone Butahana, muri komine Mugina yo mu ntara ya Bujumbura, umunyeshure wo kw'ishure ry'imyuga Kiriba iri ku murwa mukuru wa komine Mugina,mu mwaka wa kabiri mu gisata c'ubuhinga bwo gutumatumanako amakuruInformatique. Nk'urundi rwaruka rwose mugihe c'uburuhuko,yari yahisemwo kurondera akazi ko gucukura inzahabu mw'ishirahamwe ricukura ubutare rikorera ibikorwa vyaryo mu kirindiro ca Nyamikoma, ku mutumba Buhoro,muri zone Buhoro yo muri komine Mugina.

Amasoko yo mugiporisi no mu bigenga bashitse aho iryo bara ryabereye amenyeshako yanizwe imbere yo gupfa.

Igiporisi cahagaritse abazamu b'ikirindiro hamwe n' abandi 2 bikekwa bakorana n'umuhisi kuri ico kirindiro nyene. Dieudonné Hategekimana azwi cane kw'itazirano rya Nyabusorongo hamwe n'uwitwa Emmanuel bakurikiranye mugutwara iryo shirahamwe barahagaritswe nabonyene.Umuryango wiwe,waciye umushingura mukurindira ibizova mu matohoza y'igiporisi ariko ntacizere ufitise mu bizova muri ayo matohoza kuko kuwa 10 Mukakaro 2026 hafi y'isaha ziiri z'ijoro,izo ndongozi 2 z'ishirahamwe zararekuwe.Isoko yo mu giporisi rishikiriza ko irekurwa arekuwe hatanzwe igiturire kingana amahera 25 000 000 y'amarundi. Iryo soko nyene rimenyesha ko ayo mahera ni ikimenyetso nsimusiga ko izo ndongnzi 2 bazi ikintu ku rupfu rwa Olivier Nzoyihaya.

Imwe mu nyishu biha ni uko uwo yashengeye yarafitaniye n'igisirikare ivyo vyatumye bamwikeka ko atanga amakuru y'igitigiri 'inzahabo zacukuwe; ivyo abanyamitahe bo mu mashirahamwe menshi badashaka.

Ni inyuma yuko hashizwe ibitigiri umucukuzi wese w'inzahabu wo muri ivyo bibanza ategerezwa abasirikare.


### *II.1.1.2. ABANTU BANYURUJWE CANKE BABUZWE IRENGERO*

Ibwirizwa nshingiro ry'Uburundi riranganisha urubanza ku bantu bose,ndetse bananumvirizwa kandi bagaciriwa urubanza mu kiringo kizwi,nkuko ingingo ya 38 ibivuga.

Umuhari Iteka waharuye abantu 2 banyurujwe,bose b'abagabo. Intara za Bujumbura na Butanyerera imwe imwe hanyurujwe umuntu umwe umwe.

| Intara | Incuro banyurujwe | Igitigiri c' abanyurujwe | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Bujumbura | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Burunga | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Butanyerera | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Zose hamwe | 2 | 2 | 2 | 0 |

*II.1.1 .UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro 9)*




***Incuro zatohojwe :***

***Ak1:*** *Kuwa10 Mukakaro* 2026, kw'isoko rya Kayanza, muri karatiye Musave, muri zone Kayanza, muri komine Kayanza, mu ntara ya Butanyerera, Joël, umugabo w'imyaka 40,serugo ava mu ku mutumba Mageyo, muri zone Butahana, muri komine Mugina,mu ntara ya Bujumbura, yanyurujwe irigira kabiri. Uwo yanyurujwe aba ku mutumba Kabere, ku murwa mukuru wa komine Mugina,aho akorera urudandazwa mu bunywero bwiwe.

Kuwa gatanu iminsi yose,Joël aja ku masoko ya Ngozi na Kayanza Kurangura inzoga za BRARUDI, impene hamwe n'ibiraya,kugira akwize ivyo abaguzi bakeneye. Abo bazinanye hamwe na bamwe mu bagenzi biwe bararondeye mu mabohero ya Kayanza na Ngozi, ikibabaje ntawe ntacavuyemwo,kandi umuryango nturashobora kumutora. Ababanyi bamuvuga nk'umuntu akundwa,w'igishika kandi yakirana neza, ntamatati namwe yarafitaniye n' abantu.Vyongeye,hariho imigenderanire n'abasirikare bari muri zone Kibira, basanzwe ari abaguzi biwe mu bunywero, kandi bamugurishako ibiraya birimwa muri ako karere nyene.

Kuwa19 Ruheshi 2026, Joël yari kw'isoko rya Ngozi ligihe abakozi b'iperereza bamunyuruza. Ariko,abo bazinanye i Ngozi banyukije kumutabaza abantu iMugina, Cibitoke na Bujumbura, hanyuma inyuma y'amasaha,yararekuwe n' abari bamunyuruje,bamenyeha ko bari bimwitiranije n'umusuma w'amapikipiki barondera. Izo ncuru z'inyuruzwa, zabaye mu kiringo cegeranye kandi gikora ku bantu bava muri iyo komine nyene,zibutsa incuro nyinshi z'abantu abnyurujwe hamwe n'ababuzwe irengero i, Mugina, aho imiryango yabo batararonka amakuru,ko boba bakriho canke bapfuye. Abajejwe iperereza i Mugina, hamwe na Musitanteri Anicet Saidi hamwe na komiseri w'igiporisi, Lieutenant -Colonel Jean-Claude Nkunzimana, barazi ivyabaye,ariko ntaco barabivugako.

---

***AK2:*** Kuwa 4 Mukakaro 2026, hafi isaha 3 zo mu gitondo, kw'ibarabara rya Gasenyi, komine Ntahangwa,intara Bujumbura,Déogratias Ndayisaba, afise imyaka 37,aba muri karatiye na zone Gikungu, komine Ntahangwa, intara Bujumbura, yaranyurujwe n'abantu bambaye umwambaro w'igiporisi c'uBurundi.Kubwo ababibonye hamwe n'abamwegereye babikwirikiranye, uwo musore yari kw'ipikipiki yunguruza abantu nk'umuntu yipakije bisanzwe aho yari yaguze urutsinga rw'amatara kuri gare du Nord y'umurwa mukuru w'ubutunzi Bujumbura. Ashitse ku mpera y'ibarabara rya Gasenyi,Déogratias Ndayisaba yarafashwe n'abaporisi b'igihugu akiva kuri nya pikipiki.Abo babibonye nyene basigura ko abo baporisi bururutse imodoka yo mu bwoko camionnette Toyota double cabine ifise ibara ryera n'ibiyo bitabona,nomero y'imparati yayo itashoboye kumenyekana,yaciye isubira kugenda ku muvuduko udasanzwe ija ahantu hataramenyekana.


### *II.1.1.3.UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO*

Ibwirizwa shingiro ry'uBurundi mu gace karyo ka 21 rivuga ko "Nta n'umwe wo gukubagurwa,gupfungwa canke gufatwa bunyamaswa".Kuri ivyo hiyongera ko itegeko n°1/04 ryo kuwa 27 Ruheshi 2016 rivuga ku gukingira abakorewe amabi,ritmora uburenganzira bw'abahuye n'ivyago kandi rigategekanya ingingo zo gukingira ubwisanzure bwabo.Ivyo vyerekana neza igihugu ciyemeje gukingira abanyagihugu mu mpande zose.

#### *II.1.1.3.1. UKUBOREZWA IGUFA, UGUPFUNGWA N'UBUNDI BUNYAMASW CANKE AGACINYIZO*

Muri uku kwezi kwa Mukakaro 2026,umuhari Iteka waharuye umuntu 1 yaborejwe igufa mu ntara ya Burunga. Twomenyesha ko ibikorwa bimwe bimwe bigereranywa n'ugukubagurwa bigaragarira ku bantu bari mu busho mu burere bwa b'ibiro vy'iperereza (SNR)ku bwo imiryango yabo.

| Intara | Incuro baborejwe igufa | Igitigiri c' ababorejwe igufa | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Bujumbura | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Burunga | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Zose hamwe | 1 | 1 | 1 | 0 |




***Ivyatohojwe :***

***Ak1:*** Kuwa 28 Mukakaro 2026 hafi y'isaha zine z'ijoro umusore yitwa NDABIHIMANA Audace yarakubiswe buyoka n'urwaruka rw'imbonerakure muri komine Mugere, ku mutumba wa Kabezi, mu ntara ya Bujumbura.

Ku bwo ivyabona,mu gihe yaratashe iwe,yoba yarahuye n'umurwi w'imbonerakure zirongowe na HABONIMANA Vianney,batazira « Launcher ». Ako karwi koba kamuhagaritse hanyuma kamubaza aho avuye. Yoba yishuye ko avuye muri Afirika y'epfo,aho yari yagiye kurondera ubuzima.


Abagize ako karwi koba rero karamukubise birenze urugero,bamwagiriza kuba ari umunywanyi wa CNL. Yoba yarakubiswe gushika aho ata ubwenge. Mu nyuma yarajanywe ku bitaro vyo mu Kabezi,aho yavuriwe. Gushika iyi saha, aracarwariye muhira kandi ntashobora no gutambuka.

Umuryango wiwe hamwe n'abamwegereye basaba ko ubutungane bwokora igikorwa cabwo kandi ko abakoze ubwo bubisha bohanwa.

### *II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA*

Mu kiringo c'iki cegeranyo ,umuhari Iteka waharuye abantu 20 bkorewe amabi afatiye ku gitsina ku butaka bwose bw'igihugu. Muri abo bakorewe amabi,harimwo abagore 17 n'abagabo 3. Birababaje cane kumenyesha ko mu bagore,8 bafashwe ku nguvu,harimwo abakobwa 7 bakiri bato. Mu kigara gikurikira,uravye ku ntara ivyo biharuro birateye ubwoba. Burunga iza ubwa mbere ku bantu 8,igakurikirwa na Gitega ku bantu 5,hanyuma haza Bujumbura ku bantu 4 na  Butanyerera ku bantu 2. Ubwa nyuma,Buhumuza haharuwe umuntu 1.

| Intara | Incuro z'amabi afatiye ku gitsina | Igitigiri c'abakorewe amabi | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Amabi afatiye ku gitsina | Gufatwa ku nguvu | | |
| **Buhumuza** | **1** | **1** | **0** | **0** | **1** |
| **Bujumbura** | **4** | 3 | 1 | 1 | 3 |
| **Burunga** | **8** | 4 | 4 | 0 | 8 |
| **Butanyerera** | **2** | 1 | 1 | 1 | 1 |
| **Gitega** | **5** | 3 | 2 | 1 | 4 |
| **Zose hamwe** | **20** | **12** | **8** | **3** | **17** |




***Uburero buvyerekana:***

***Ak1:*** Kuwa27 Mukakaro2026,mw'ijoro, Damienne Girukwishaka ubu apfungiwe mu gasho k'igporisi i  Muramba inyuma yogukomeretsa umugore wiwe , Émile Nyabenda, akoreshejje umupanga.

Ibara ryagwiriye  muhira w'urwo rugo hatumbereye ku mutumban Ngara,yo muri zone Muramba,komine Bubaza,mu ntara ya qBujumbura.

Ku bwo amakuru twatororokanije,urwo rugo  kuva bubakanye  haciye myaka 20 bama mu matati y'urutavanako aturutse kw'itunganya no kugabura  ubutunzi bwa Reta.

Yatewe mw'ijoro,umugabo yarakomeretse cane ku mutwe no ku maboko,biba ngombwa ko bamujana kwa ku bitaro i Bubanza aho ariko ariko aravurirwa.

Abikekwa gukora iryo bara baracari mu minwe y'inzego z'umutekano mukurindira ko hatanguzwa urubanza mu butungane.

### *II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA (Ibikurikira urupapuro 12)*

***Ak2:*** Inkuru umuhari Iteka warose kuwa15 Mukakaro 2026, ivuga ko kuwa11Mukakaro 2026, hafi igihe c'isaha 9,ku mutumba Gitaba, zone Rusabagi, komine Rumonge, intara ya Burunga, umukobwa yitwa K. J ,afise imyaka15 yashurashujwe.Ibara ryaguye mugihe yari agiye gusenya mw'ishamba aca ahura n'umugabo yitwa Habonayo Claver, afise imyaka 40 ,yamushurashuje abanje kumutera ubwoba ko azomwica ahirahiriye hakagira ico avuga.N'aho biri uko, yarabwiye abavyeyi biwe ivyabaye baca bamutwara ku kigo c'iubuvuzi Muyange kugira avurwe. Kubwo uwakoze icaha,yarahagaritswe aca ajanwa mu gasho ka zone hama muri komisariya ya komine Rumonge.

***Ak3:*** Kuwa 11 Mukakaro 2026, ku mutumba Nkonyovu, muri zone ya Rutegama, muri komine Kiganda,amatati y'imiryango yaradutse kandi umugore yarakubiswe cane. Hatungimana Valérie, umugore afise imyaka 33 , afise umugabo yitwa Ntungwanayo Ezechiel, afise imyaka 39,yarakubiswe . Uwo mugabo, Ntungwanayo, yari yarataye umuryango kuva mukwezi kwa Nyakanga mu mwaka wa 2025. Mubisanzwe yavuye muhira kugira aje ku muhabara aba muri komine Bubanza. Hari yaciye amezi arenga 7atabonetse muhira ,yasize umugore wiwe n'abana mu bukene buzura inzara.Igihe Ntungwanayoyaruhira kugaruka kuwa 11 Mukakaro hahise, yarakubise umugore biteye ubwoba aca aramwirukana muhira,bitera gutyo agahinda abana,bafise imyaka uko bakwirikirana 5 na 2. Ku musi wambere 13Mukakaro, uwakubiswe, akibabaye,yafashe ingingo yo kwitwara mu giporisi.Ariko rero uwakoze ako kabi,yari yamaze guhunga kandi ntiyaboneka.Kubera ako kabi kabise, umugore yaruhiye gusubira mu muryango w'amaraso mu kurindira ko amenya iyo ivyo bintu bigoye bizoherera.


## *II.1.2. UBURENGANZIRA BW'UMWIDEGEMVYO*

### *II.1.2.1. IHAGARIKWA RICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*

Bose hamwe,incuro 12z'abahagaritswe zaraharuwe ku butaka bwose bw'igihugu mu kiringo c'ukwezi kwa Mukakaro 2026 kigize iki cegeranyo. Ku ncuuro 7 zaharuwe,abantu 12 barahagaritswe kandi bose ni abagabo. Nkuko biboneka ku kigara gikurikira,Bujumbura hahagaritswe abantu incuro 9 ,Butanyerera incuro 2 na Burunga incuro 1.

| Ntara | Incuro z'abahaga-ritswe | Igitigiri c'abafashwe | Abagabo | abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Bujumbura | 4 | 9 | 9 | 0 |
| Burunga | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Butanyerera | 2 | 2 | 0 | 0 |
| Gitega | 0 | 0 | 2 | 0 |
| Zose hamwe | 7 | 12 | 12 | 0 |

***II.1.2. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO(Ibikurikira urupapuro 13)***




***Ibivyerekana:***

***Ak1:*** Kuwa 21 Mukakaro 2026 hafi igihe c'isaha 2 zo mu gitondo,ku kigo c'ubuvuzi Ruhororo, zone Ruhororo, komine Mugina, intara ya Bujumbura, Corneille, umuforoma w'imyaka 40 yarahagaritswe ata mutahe aca ajanwa n'ingendeshwa itaramenyekana i Mugina, n'abagabo bafise inkoho pistolets bambaye ibisanzwe mugihe yari ku kazi kiwe kandi ariko avura umurwayi.Haciye indwi,nta nkuru n'imwe ivugwa ku vyatumye ahagarikwa vy'ukuri hamwe n'aho apfungiwe.

Isoko ryo mu mbonerakure zamugenza imbere yo guhagarikwa kwiwe rivuga ko yagirizwa ko yatse imbonerakure imwe igikoresho talkie-walkie, iyo radiyo ikoreshwa n'imbonerakure nyinshi mu gutumatumanako hagati yabo aca ayigurisha mu Rwanda. Ariko ico yagirizwa carementanijwe kugira kugira bamushireko icaha kubera asanzwe ari umunywanyi wa CNL ibaba rya Agathon RWASA.

Iryo hagarikwa rirateye amakenga rwose abandi banywanyi bayoboka Rwasa kandi ryabaye mugihe uwundi mugwi w'abantu bariko barahigwa bongera bahagarikwa kubera ari abanyarwanda.

Kuri uwo musi wa kabiri 21 Mukakaro 2026, umuntu afise imyaka 70 ava mu Rwanda batazira « Munyarwanda », umuyangayanga akanakora munzu y'uburiro aba i Mabayi kuva 1994, yarahagaritswe iRuseseka muri zone Buhoro mugihe yari avuye kurangura inyama.Abo bamufashe boba ari abo bari bambaye ibisanzwe nyene.

Abanyagihugu b'iMugina basaba ko imvu z'ayo mahagarikwa zose zimenyeshwa abanyagihugu,bongere babimenyeshe abo banyarwanda mugihe ari urubanza rw' ibijanye n'intwaro bibaraba.

---

***Ak2:*** Kuwa 20 Mukakaro 2026, hafi igihe c'isaha 11 z' umugoroba, umusore yitwa Kinure yarahagaritswe mu bitaro vyigenga iBubanza.Yari kumwe n'umugore wiwe,yari yaraye akomeretse bivuye ku ndyane zo munzu zivuye ku guhemukiranira.Yahagaritswe mumpera z'iyi ndwi,inyuma y'igikorwa cakozwe n' abanywanyi b' imbonerakure.Amaze gufatwa,Kinure yarajanywe yongera ashirwa mu gasho ka komisariya y'igiporisi i Bubanza ikiringo c'imisi ibiri.

## *II.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA*

*Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama bufatwa nk'uburenganzira bwo ku rugezo rwa kabiri,buri mu masezerano mpuzamakungu ajanye n'uburenganzira bw'ubutunzi,imibano n'imico kama.Uburundi bwaremeje ayo masezerano kuwa 14 Ntwarante 1990 kandi bwarayashize mw' ibwirizwa shingiro ryo mu 2018,nko mu ngingo ya 19.Ico ubwo burenganzira bwiharije ni uko bushirwa mu ngiro intambwe ku yindi,bitandukanye n'uburenganzira bw'abigenga na poritike.Ama Reta yabushizeko umukono,harimwo Burundi, yiyemeje gushira mungiro ubwo burenganzira bivanye n'uburyo bafise.*

### *II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

Muri Mukakaro 2026,ubutunzi mu banyagihugu mu Burundi bwarahungabanijwe n' urukwirikirane rw'ibintu bibabaje.Kuwa 19 Mukakaro,umuriro waraturiye utuzu tw' ubudandarizo twari inyuma y'isoko rya Buhiga i Bukinanyana y'intara ya Bujumbura.Imana yarakinze,isoko rikuru habaye igitangaro ntiryashikirwa n'urubeya.

Naho ata n'umwe yahasize ubuzima yavuzwe,ibintu vyahononekariye ni vyinshi.Abahaba,bakoranye bukwi na bukwi,barageragеje kuzimya umuriro,igikorwa cari kinagoye cane kubera kubura ikamyo ipompa amazi,ikintu cabuze gose.Isaac Niyokwizera, musitanteri waho,yaragaragaje umubabaro mwinshi yari afise kw'ivyo batakaje yongera abmenyesha ko bokoresha ibikoresho birinda umuriro,bosiga inzira bakanakingira ibintu vyabo.

Baramenyeshejwe ko hagiye kuba amatohoza kugira habe umuco ku cateye uwo muriro,mugihe abadandaza,basanzwe bari mu kababaro,babona ko aho bakura uburaro n'uburamuko haguma hanyika ku musi ku musi.Ico kintu kigaragaza amakenga ajanye n'uburenganzira bw'ubutunzi mu Nurundi,naririya bibaye mu rukwirikirane rw'amasanganya,vyabaye inyuma y'imisi 10 yonyene uwundi muriro wadutse mw'isoko ry'iNgozi,aba yose hamwe amasanganya 6 asa mu mezi indwi.

Ko uburenganzira bw'akazi buri mu masezerano mpuzamakungu y'uburenganzira ku butunzi,biratangaje kubona abadandaza benshi cane ,babuze ubwishingizi hamwe n'impinyanyuro zo gushumbushwa ataziriho.Haraciye igihe kinini,amashirahamwe adaharanira inyungu za poritike aratunga urutoke ako kaga,agashikiriza umubabaro watewe n'isoko rya Bujumbura, naryo nyene haciye imyaka 13 ritokombeye ritarubakwa.

I Ngozi,umuhango wo gusubira kuryubaka vyaravuzwe,ariko iBuganda,nta guharura ku mugaragaro ivyononekaye vyigeze biba.Izi ntambamyi zijanye n'itunganywa zirasaba ko hoba intumbero yo gukinga. Bitabaye uko,umuriro mushasha wose ufuta ivyabaye kera kandi ugashikana abanyagihugu mu bukene bukabije. Kandi, kuva kuwa 24 Mukakaro 2026, akandi kaga karahungabanije ubutunzi bw'uBururi: kubura ibinyobwa vya BRARUDI. Uretse Amstel Royal, ibindi vyinshi ntibiboneka, bigatuma umubabaro wiyongera mu banyagihugu. Abadandaza, bahuye n'ingorane zaduka,barahangayika ku buryo budashoboka bwo kubona ivyo imiryango yabo ikeneye, kandi bamwe ntibashobora kuriha amazu bapanga.Uko kubura ibinyobwa kuranatuma bigorana gutunganya imisi mikuru mu mibano.Kubwo amakuru atangwa n'ububiko bw'ibinyobwa

Méga Bururi, ivyo vyoba biterwa n'umurindi wo kuzikora wagabanutse,n'aho uwuzitanga atatanze insiguro ziramvuye.Abadandaza hamwe n'abanywi b'ivyo binyobwa basaba ko hagaruka vyihuta itangwa ry'ibinyobwa ryiza kugira bazamure ubutunzi n'imibano i Bururi.

### *II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO.*

Mu Burundi,uburenganzira ku ndero burahura n'intambamyi muri komine Kirundo,aho ibikorwa rusangi,biboneka nk'ibihano,birategekwa.Kuva muri Myandagaro 2025,igiterwa c'amavoka carabaye ntagereranywa,umuryango utegerezwa gutera n'imiburiburi ibiti 10.Amatongo ya Reta ahinduka imirima yagutse y'amavoka,kandi mugihe c'ici,abanyagihugu basabwa imisi 3 kundwi kuri ivyo bikorwa,bategekwa no kuzana amazi.Uwutitaba ibikorwa arahanwa.Bose babwirizwa kuvyitaba,kandi ako gasakisaki karanakora ku banyeshure,bagahagarika ivyigwa vyabo.Izo ngingo zifatwa n'abarongozi bamwe bamwe baho bararenze imbibe ,barondera kurengera ibwirizwa shingiro mukunguruza ibibazo kugira bavomere imirima y'amavoka.

Ibintu bitera vyunyuka,kubera mu Kirundo haguma habura abigisha,ingorane ihari kuva muri 2015.Kugira bayirwanye,abigisha b'abakorera bushake barahabwa ubuzi,bagashimirwa n'abavyeyi b'abanyeshure ku bufasha batanga.

Ariko rero,vyunyutse mu 2025 aho abigisha benshi barungitswe mu mabanga y;intwaro.Intwaro,kugira igabanye ukubura abigisha,isaba amahera angana n' 3 000 FBU ku muhana yo gushigikira abakorerabushake,bemererwa ko hari ico bazoronka buri kwezi,ariko bitaja mu ngiro.Uko kubemerera ntibabahe bizana icuka,abakorerabushake bamwe bamwe banka gutanga amanota,mugihe abigisha bo kw'ishure shingiro Kiyonza bapfunzwe kubera banse gutanga amanota kubera batarabahemba.Muei make,ubuyobozi bwari bwatumye abayobozi b'amashure gutoza amahera 1000 fbu kuri buri munyeshure kugira bagerageze kuzibira ibihengeri.Abavyeyi bashavuye,baranegura uko kubwirwa ko bigishwa ku buntu,mugihe basanga babwirizwa guterera uburyo bw'abigisha.

## *II. 3. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI*

### *II.3.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA*

Uburenganzira bw'abana burakingiwe mu Burundi biciye ku masezerano mpuzamakungu araba agateka k'abana(CIDE)yashizweko umukono mu mwaka wa 1990.Igihugu caranemeje amategeko hamwe na poritike bikingira abana.

Iki cegeranyo co mu kiringo ca Mukakaro gishira ahabona ikurikizi zisa n'izikaze ku bana. Abashurashujwe hamwe n'ayandi mabi,nk'abakobwa bakiri abana,yaravuzwe.

Ku rundi ruhande,umuhari Iteka waratohoje urukwirikirane rw'amabi ababaje cane.Muri komine Mwaro,iri mu ntara ya Gitega,umuyabagayarafashwe nabi biratuma aheba amashure,indoto yaburabujwe.Mu nyuma,muri komine Rumonge,intara ya Bujumbura,umwana yaranyurujwe yarashoboye kurokoka ku muheburo,ava mu vyara vy'ababisha.Ariko rero,ububabare ntibwahagarariye aho.Muri komine Kayanza,uruyoya rwaratowe,rwatawe mu kinogo c'akazu ka Surwumwe.Vyongeye,ikiziga c'urundi ruyoya caratowe muri komine Bubanza,naho nyene mu ntara ya Bujumbura.I Kiganda,mu karere ka Renga,ibara nk'iryo ryaratumye hapfa uruyoya,bishikana abantu mu kigandaro.Kandi nk'uko ivyo womenga ntibikwiye,umuvyeyi w' umwana,yuzuye agahinda,yafashe ingingo ibabaje yo guta umwana wiwe muri komine Karusi,intara ya Gitega,ikintu giteye isoni cambitse ibara ababibonye.

Mu kiringo cakingo,itituka ry'agateka ka zina muntu ryagumye ryibonekeza mu burere butandukanye bw'igihugu.

Iki cegeranyo kirerekana aho agateka ku buzima bw'abantu gahungabana;ihohoterwa ku rukoba hamwe n'umwidegemvyo;uburenganzira bw'ubutunzi,imibano n'imico kama.

Kiragaruka kandi ku gateka k'abantu no muri poritike hamwe 'uburenganzira bw'ubutunzi n' imico kama ku vyerekeye ihungabana ryabwo kandi kikerekana umwitwarariko.Umuhari Iteka uridogera ukudahana ububisha bwibonekeje kandi usaba ibikurikira:

⇒ ***Kuri Reta y'u Burundi:***

1. Kubahiriza agateka ka zina muntu,nk'uburenganzira ku buzima,bw'ukudakubagurwa hamwe n'ubw'umwidegemvyo.

2. Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana ububegito no guhana abakora amabi y'ihonyanga ry'agateka ka zina muntu bishure akabi bakoze.

3. Gutohoza hamwe no guhana bimwe bikomeye ihonyangwa ry'agateka k'abana hamwe n'ayandi mabi mu Burundi akorwa abatware hamwe n'abari mu mugambwe uri ku butegetsi barorera.

***Kuri UE hamwe n'abandi bafasha muvyo ubuhinga n'uburyo mu Burundi:***

1. Gushigikira utwigoro tw'umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirahamwe aharanira gukingi ra agateka ka zina muntu mu vyerekeye ugukwirikirana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu mu Burundi.

2. Gukoresha ububasha bwabo mukugondoza abarongozi b'uBurundi bubahirize agateka ka zina muntu bongere basezerere ukudahana.

*Uwo uri wese ubahirizwa*